# 10: Nshim' Umwami wo mw ijuru, Ntang' ivyo guhimbaza

1. Nshim' Umwami wo mw ijuru,
   Ntang' ivyo guhimbaza,
Nari mboshw' arambohora,
Nari ndway' arankiza.
Tumushime, tumushime,
Ni we Mwam' ahoraho.

2. Ba sogokuruza kera
   Bari mu mubabaro,
Abagirir' imbabazi,
Tumuhimbariz' ivyo.
Na none tumwizigire
Kukw ar' uko yahoze.

3. Ni Data wa twese mwiza,
   Az' intege nke zacu,
Atubungabunga neza,
Kand' akatuzigama.
Duhimbaz’ ubuntu bgiwe,
Buzohoraho rwose.

4. Mwa bamarayika beza,
   Ni mushim' Uhoraho,
Namwe bera bo mw ijuru,
Mwavuye mw isi yose,
Mwese mushimane natwe
Iman' igir' ubuntu.

Visit us at burundi.indirimbo.com